THEME : AMASEZERANO MPUZAMAKUNGU YUBAHIRIZA AGATEKA KA ZINA MUNTU, AJANYE N'UBWENEGIHUGU NA POLITIKE .

I. Ido n'ido ry'ikiganiro

1. Uburenganzira buri mu ngingo ya 6 gushika ku ngingo ya 11.

Ingingo ya 6 y'aya masezerano ivuga ko, ubuzima bwa kiremwa muntu ari ntagerwako, n'uburenganzira buranga umuntu uwo ariwe wese. Ubwo burenganzira butegerezwa gukingirwa n'amategeko. Nta mvo nimwe yotuma ikiremwa muntu yakwa ubuzima bwiwe.

Iyo ngingo ibandanya ivuga ko mu bihugu igihano co gupfa kitarafutwa, urubanza rwo gupfa rucibwa ku vyaha vya rutura kandi hisunzwe amategeko ahasanzwe mu gihe icaha cakozwe, ayo mategeko nayo ategerezwa kuba atanyuranye n'ivyategekanijwe n'aya masezerano, n'amasezerano ahana akongera akabuza ubwicanyi bufatiye ku bwoko. Ico gihano gikurikizwa hisunzwe ingingo ya sentare ibifitiye ububasha.

Tukiri kuri iyi ngingo ivuga ivyerekeye igihano co gupfa, ndabamenyeshe ko ico gihano cavanywe mu gitabo mpanavyaha c'Uburundi co kuwa 22 ndamukiza 2009.

Uwo wese aciriwe urubanza rwo gupfa arafise uburenganzira bwo gusaba ikigongwe canke kugabanirizwa igihano.
Ikigongwe canke ukugabanirizwa igihano co gupfa birashobora gutangwa mu buryo bwose. Igihano co kwicwa ntigishobora gucirwa abantu batarakwiza imyaka 18 canke ngo gihanishwe abakenyezi bibungenze.

Nta ngingo n'imwe itegekanijwe muri aya masezerano yoba urwitwazo mu gutevya canke mu kubuza ko igihugu cegwa n'aya masezerano gihanagura igihano co kwicwa.

Ingingo y'7 y'aya masezerano nayo, ivuga ko ihohoterwa rya kiremwa muntu n'isinzikazwa ry'ubuzima, gucurwa bufuni na buhoro canke gufatwa bunyamaswa no guteshwa agaciro bibujijwe. Kirazira rero ko umuntu, atavyiyemereye we nyene ubwiwe, ageragezwako ubuhinga bushasha canke mu vy'ubuvuzi.

Ingingo y'8 y'ayo masezerano, ivuga ko ata muntu n'umwe yoba umuja w'uwundi. Kugira abantu abaja canke idandazwa ry'abaja mu buryo ubwo ari bwo bwose birabujijwe.

Iyo ngingo ibandanya ivuga ko ata muntu n'umwe azotegekwa canke ngo abwirizwe gukora canke ngo akoreshwe ku nguvu. Ariko naho biri uko, ntibica bibuza ko, mu bihugu ivyaha bimwe bimwe bihanishwa ugupfungwa n'ugukoreshwa ku nguvu, ikurikizwa rya bene ivyo bihano, riba mu gihe urwo rubanza rwaciwe na sentare ibifitiye ububasha.

Iyi ngingo ibandanya itanga insiguro y'ijambo « ugukoreshwa ku nguvu ».
iyi ngingo itanga insiguro zishika 4 z'iryo jambo.

1. Igikorwa canke akazi kose bihawe umuntu apfunzwe biciye mu mategeko.
2. Igikorwa cose ca gisirikare, no mu bihugu umuntu ashobora kwanka kwinjira mu gisirikare, igikorwa cose gihabwa bene abo bantu biciye mu mategeko.
3. Igikorwa cose gisabwe iyo hari ibibangamiye ubuzima canke ukubaho nyakwo kw'igihugu.
4. Igikorwa cose kiri mu murwi w'ibisanzwe bisabwa abanyagihugu.

Tubamenyeshe ko mw'itunganywa ry'ivyo bikorwa, bihweza ko agateka k'umuntu kaba kubahirijwe, kandi ko bitamuvuna ngo amagara yiwe abangamirwe kubera ivyo bikorwa.

Ingingo y'9 y'ayo masezerano, ivuga ko umuntu wese afise uburenganzira bwo kwidegemvya mu mutekano w'ubuzima bwiwe. Nta n'umwe ashobora gufatwa

canke ngo apfungwe ataco bivuyeko. Nta n'umwe ashobora kurenganywa mu mwidegemvyo wiwe, kiretse biturutse ku mvo zategekanijwe n'amategeko. umuntu wese afashwe, ategerezwa kumenyeshwa muri uwo mwanya nyene, ibituma bikuru bikuru vyo guhagarikwa kwiwe, akongera akamenyeshwa ico afatiwe.

Iyo ngingo ibandanya ivuga ko, umuntu wese afashwe canke apfunzwe yagirizwa icaha, ategerezwa kurengutswa imbere y'umucamanza canke ubundi butegetsi butegekanijwe n'amategeko y'ibihugu vyegwa n'ayo masezerano mu gihe kitari kirekire, agacibwa urubanza canke akarekurwa.Ukugumiza mw'ibohero abantu barindiriye kurenguka imbere ya sentare, ntibikwiye kugirwa akamenyero, yamara ukurekura abantu bafise ivyemeza ko bazokwitaba igihe cose sentare ibakeneye no mu gukurikiza ivyo vyose bitegekanijwe, n'ivyo vyoja imbere gushika urubanza rukurikijwe.

Iyo ngingo ibandanya ivuga ko uwo wese abujijwe umwidegemvyo wiwe n'uguhagarikwa canke ugupfungwa, afise uburenganzira bwo kwitura sentare kugira imurabire ko biciye mu mategeko, atari uko naho igategeka ko arekurwa.

Iyo rero umuntu yahagaristwe canke agapfungwa bidaciye mu mategeko, akwiye kuronswa indishi y'akababaro, ihuriranye n'ikiringio yahagaritswe azira umwikeko.

Ingingo y'10 y'ayo masezerano, ivuga ko umuntu wese atakiri mu mwidegemvyo wiwe, akwiye gufatwa runtu, akubahirizwa mu gateka karanga zina muntu. Ibandanya ivuga ko abapfunzwe bataracibwa urubanza, kiretse iyo hari ibituma bidasanzwe, batandukanywa n'abari mu bihano baciriwe na sentare, kandi ntibatwagwa co kimwe, bategerezwa gufatwa neza kuko ata kabi kaba karabagira.

Abana bapfunzwe, ntibaja hamwe n'abakuze kandi imanza zabo zitegerezwa kwihwezwa mu maguru masha.

Intumbero nyamukuru yo gupfungwa, n'uko umuntu yisubirako, kugira aze asubire mu buzima busanzwe ashobora kugira ico yimarira hamwe n'umuryango wiwe.

Ingingo ya 11 nayo, ivuga ko ata n'umwe ashobora gupfungwa azira ko adashoboye gukurikiza ivyo yasezeranye n'uwundi.

Ncuti bagenzi namwe mwese mwahisemwo kutwumviriza muri kino kiganiro c'agateka ka zina muntu, twariko turabira hamwe uburenganzira buri mu ngingo zo kuva yu ka 6 gushika ku ya 11 z'amasezerano mpuzamakungu yubahiriza agateka ka zina muntu, ajanye n'ubwenegihugu na politike.

Izo ngingo zishimikira cane k'uburenganzira bw'umuntu uwo ari we wese bwo kubaho yidegemvya kandi yubashwe mu gateka kiwe, uburenganzira bwo kudacurwa bufuni na buhoro canke kudafatwa bunyamaswa hamwe n'ingene abantu biketsweko icaha canke bapfunzwe, bategerezwa kwubahirizwa mu burenganzira bwabo.

Intumbero twahaye kino kiganiro cerekeye amasezerano mpuzamakungu yubahiriza agateka ka zina muntu ajanye n'ubwenegihugu na politike, niyo kwerekana ko, mw'itunganywa ry'amategeko akoreshwa hano mu Burundi, harisunzwe cane ivyiyumviro nyamukuru vy'ayo masezerano mpuzamakungu

Ni muri iyo ntumbero nashaka muri kano kanya, munkundire turabire hamwe muri ayo mategeko, ingingo zerekana ukwo kwisunga ayo masezerano.

2. Ingene amategeko amwe amwe akoreshwa mu Burundi yisunga ayo masezerano:

a. Ibwirizwa nshingiro

Ingingo ya 14, yisunga cane ingingo ya 6 y'aya masezerano, ivuga uburenganzira bw'umuntu bwo kubaho yidegemvya.

Iyo ngingo ya 14 y'ibwirizwa nshingiro, ivuga ko umurundi wese, afise uburenganzira bwo kuba ku butaka bw'uburundi mu mahoro n'umutekano, kandi akubahwa mu gateka kiwe. Ingingo ya 24 nayo , ivuga ko ubwo burenganzira bwo kubaho, burekuriwe abantu bose, abagabo n'abagore.

Ku bijanye n'uburenganzira bwo kudacurwa bufuni na buhoro, dusanga muri ya masezerano twarabira hamwe, ingingo ya 23 y'ibwirizwa nshingiro, ivuga ko ata murundi numwe yorenganywa na reta canke inzego z'ayo. Uwo vyoshikira, iyo ngingo ibandanya ivuga ko reta itegerezwa kumuha indishi y'akababaro.

Ingingo ya 26 yunganira iya 24, kuko ivuga ko ata murundi yocurwa bufuni na buhoro mu buryo ubwo ari bwo bwose.

Ku bijanye n'agateka k'abapfunzwe kavugwa mu masezerano mpuzamakungu y'ubahiriza agateka ka zina muntu ajanye n'ubwenegihugu na politike mu ngingo z'9, 10 na 11, ibwirizwa nshingiro ry'Uburundi ryarazishimikije bimwe bishimishije. Ingingo ya 40 y'aryo ivuga ko umuntu wese yiketsweko icaha, aguma afatwa nk'umwere, gushika sentare yemeje ko icaha kimwagiriye, imaze kugira amatohoza.

Ingingo ya 41, iza yunganira iya 40, kuko ivuga ko ata muntu yohanirwa ico yakoze mu gihe amategeko atarerekana neza ko ari icaha.

Ncuti bagenzi muriko muratwumviriza, turabire hamwe ingingo zimwe zimwe z'igitabu mpanavyaha, zishimikiza ayo masezerano mpuzamakungu yubahiriza agateka ka zina muntu, ajanye n'ubwenegihugu na politike.

b. Igitabu mpanavyaha

Kuva ku ngingo ya 28 gushika ku ngingo ya 30, zivuga ingene ubutungane bw'abana butegerezwa kugenda mu ntumbero yo kwubahiriza agateka kabo.

Izo ngingo zivuga ko iyo umwana w'imyaka iri munsi ya 15 yagiriwe n'icaha; kirazira kumushira mw'ibohero. Impande zibiri, uwagirizwa n'uwakorewe icaha baja hamwe, bakumvikanishwa, umwana agahanurwa, mu ntumbero yo kumwereka ko inzira arimwo ataho ishikana, ko yokwigenza neza, agategura kazoza kiwe.

Abarenza imyaka 15 nabo ariko bari musi ya 18, barahanwa iyo bagiriwe n'icaha, ariko igihano kikagabanywa.

Akarorero gatangwa kari mu ngingo ya 29. Ivuga ko umwana yagiriwe n'icaha gihanishwa umunyororo wo gupfungwa ubuzima bwose, ico caha ubutungane burakigabanya gushika ku myaka iri hagati y'5 na 10.

Akandi karorero twotanga, n'ingingo zo kuva ku y' 180 gushika kuya 194 zerekana ingene umuntu apfunzwe, iyo yigenjeje neza, afise uburenganzira bwo guhanagurirwa igihano yaciriwe, akongera akarekurwa.

Izi ngingo duhejeje kurabira hamwe n'uburorero buke muri bwinshi bwerekana neza ko mw'itunganywa ry'igitabu mpanavyaha c'Uburundi, hisunzwe cane amasezerano mpuzamakungu yubahiriza agateka ka zina muntu ajanye n'ubwenegihugu na politike.

Izindi ngingo zitwereka iryo sano riri hagati y'ayo masezerano n'amategeko dukoresha mu Burundi, tuzisanga kandi mu gitabu c'amategeko agenga ingene imanza zitohozwa, ziburanishwa n'ingene zishirwa mu ngiro.

c. Igitabu c'amategeko agenga ingene imanza z'ivyaha zitohozwa, ziburanishwa n'ingene zishirwa mu ngiro

Kuva ku ngingo ya 21 gushika ku ngingo ya 30 z'ico gitabu, zerekana ingene iyo umuntu yiketsweko icaha afatwa, n'ingene inyamiramabi zimukorako amatohoza. Izo ngingo biragaragara ko itunganywa ryazo ryishimikije cane ingingo y'9

y’amasezerano mpuzamakungu yubahiriza agateka ka zina muntu, ajanye n’ubwenegihugu na politike.
Ico gitabu c’amategeko yerekana ingene imanza z’ivyaha zitohozwa, ziburanishwa n’ingene zishirwa mu ngiro, kirerekana ingene bitegerezwa kugenda kuva umuntu yikestweko icaha gushika ashirwe mw’ibohero.

Ikindi tutokwirengagiza, n’ingene ibwirizwa nshingiro ry’Uburundi hamwe n’igitabu mpanavyaha vyishimikiza ayo masezerano ku bijanye n’ukwubahiriza agateka ka muntu ko kudasinzikarizwa ubuzima hamwe no kudafatwa bunyamaswa.

Ingingo ya 25 y’ibwirizwa nshingiro iragabisha uwo wese yoba afise agatima ko gusinzikariza ubuzima bwa kiremwa muntu ubusa.

Ingingo zo kuva ku y’205 gushika ku y’209 z’igitabu mpanavyaha co mu 2009, zerekana ibihano bihabwa uwagiriwe n’ico caha. Kiva k’umunyororo w’ imyaka 10 gushika ku myaka 15, n’ihadabu ryo kuva ku mafaranga ibihumi 100 gushika ku 1000 000. Iyo ico caha gikorewe umwana, umusaza canke ikimuga, uwo cagiriye acibwa umunyororo w’imyaka 20.

II. Gusozera

Ncuti bagenzi namwe mwese twari kumwe muri kino kiganiro, ndabibutse ko twariko turabira hamwe uburenganzira buri mu ngingo za 6 gushika ku ya 11 z’amasezerano mpuzamakungu yubahiriza agateka ka zina muntu ajanye n’ubwenegihugu na politike.

Twerekanye kandi, twishimikije uburorero bumwe bumwe, ko amategeko atandukanye y’Uburundi, yishimikiza cane ayo masezerano. Ibi rero ncuti bagenzi, ni kugira dutegere neza ko mw’itunganywa ry’amategeko y’igihugu, hisungwa amasezerano mpuzamakungu, kugira ngo agateka ka zina muntu kubahirizwe kumwe, haba mu gihugu, ndetse no mu makungu.

Nkundira rero ncuti bagenzi namwe mwese mwaduhaye akanya kanyu mugakurikira kino kiganiro c’agateka ka zina muntu,ikiganiro c’uno munsi ndakigarukirize ngaha.Gédéon NINDAMUTSA nakibashikirije ndabasezeye,murakoze.